**Bible lessons.** **Lesson 18** **HIGHWAY OF ABRAHAM**
**Genesis 12:1-9**
**Memory verse: "However, what things were gain to me, these have I counted loss for Christ" Philippians** 3:7

**INZIRA NDENDE YA ABRAHAMU**

Icirwa ca 28

**Itang 12:1-9**

Ijambo ngenderwako : « ***Ariko ivyahora bimbera inyungu ndavyiyumvira ko ari ubuhombe kubwa Kristo*** » Abo i Filipi 3:7

**I. Intangamarara**

Icirwa cacu kiratwereka Abrahamu nk'imboneza yo kurugero rwo hejuru mu kwizera. Yemera guheba umuryango wiwe, abagenzi bose bahoranye kuva mu buto agategekwa n'Imana kuja mu gihugu atari azi. Atangura ubuzima bushasha atari yarigeze kubamwo kubera Imana. Ese abizera b'iki gihe barayumvira kugeza aha ?

**II. Uri→Harani**

-Uri cari igisagara cari giteye imbere kw'isi cane muri ico gihe. Abadandaza barakurakuranwa, ubwato bwinshi bw'ibidandazwa vyaraza bikagenda kwibahari Indiya (ocean Indien),

-Bateye imbere mu bufundi bwo gucura ibikoresho muvyuma, kurima no gusarura, gushona imyambaro, niho habaye abatoye ibiharuro bagikoresha kugeza ubu, ubuhinga bujanye n'ibiri mu kirere c'ijuru, (Astronomy).. hari iterambere rinyaruka cane. Aburamu (se wabenshi) yahinduwa Aburahamu (se w'isinzi) Kwemera kuhava vyasaba ukwizera gukomeye.

-Haba abakomotse kuri Hamu abari abasambanyi cane n'abasenga ibigirwamana. No mu muryango wa Aburahamu barabisenga na se wiwe nyene.

**III. Ico Imana isaba Aburahamu.**

1.Kuva mu gihugu cabo. Abo muri iki gihugu barangwa no gukora ivyaha. mu nyigisho za Yesu, iyo umuntu agomba kumukurikira, ntakwiye kubanza kwiyumvira abo babana bakiri mu vyaha ngo bari abagenzi.

2. Kuva mu muryango wiwe. Aha harasobanura kuva no m'ubwoko bwiwe abo bari basangiye ubuzima, ivyiyumviro, yibaza ko bimuhaye umutekano .

Ibi Imana yasaba Aburahamu vyari bigoye kuko umwe wese yokwibajije ati : « nari Narironkeye abagenzi hano, nari mw'ishengero ryo mugisokuru canje, aha ubuzima bwashoboka naza nararonse ingene nzobaho,… none ngo nindabihebe nkurikire ico Imana insaba! Nurabe iyo ubaye mu rugo rwawe kenshi usanga umwe wese yaratoranije intebe n'ahantu yama yiyicariye, iyo bakubwiye kwicara ahandi ntivyoroha kuvyakira. Uwundi araza ngo wanyicariye ahantu.

3. Kuva muvyo yabona nk'umutekano. Umuryango wa so niwo werekana akarangamuntu kawe. uwo uriwe koko, niho uronkera ingabire z'umuryango (amatongo n'itunga)

**IV. Inyigisho kuguhamagarwa kwa Aburahamu.**

Umuntu abwiwe n'Imana canke abakozi bayo ngo : 'Genda, Kora, Mera uku, » arishura ati : « ok Mwami. ariko se,hariyo umutekano ?, inyungu nzobikuramwo ni iyihe ? nzobikora kugera ryari ?, ubwo si ugukorera abayobozi ?, …. Aha ni ibikomeye cane kuko umurimo w'Imana ntuzohava ngo ubone uwuwukora. Igikorwa c'Imana gisaba guheba ubuzima n'ubutunzi vyawe ukavyegurira kristo. Aburahamu yabonetse abaye **imboneza** mu gufata ingigo ikomeye kubuzima bwiwe ariko akumvira Imana. Uku niko Imana isaba gushira mu ngira ata ibiharuro mukuyikorera.

**V. Imigisha izoba kuri Aburahamu.**

Sekuru w'amahanga menshi. Nzokugira ihanga rinini.
Nzoguha umugisha, nzoshira izina ryawe hejuru rimenyekane,
Nzokuzigama, mpezagire abaguhezagiye abakuvumye ndabavume. Iki ni icemezo ko uyo wese ahagurukiye uwatowe n'Imana, ashobora kubihorwa. Uku rero niko kwumvira umuhamagaro Imana igomba.

**VI. Gushira mu ngiro.**

Kugera uyu musi abantu baracasenga ngo « Mana ya Aburahamu » mbega icubahiro gitangaje. Ku bizera bo mw'isezerana rishasha turasenga mw'izina rya Yesu kuko yadukunze kuko avyishakiye.Yoh.15 :13,15. « ***13.Ntawogira urukundo ruruta urwo uko umuntu yigura abakunzi biwe. 15. Sinkibita abashumba, kuko umushumba atamenya ico shebuja akora ; ariko mweho nabise abakunzi, kuko ivyo numvanye Data vyose nabibamenyesheje*** »

Abakunzi b'Imana. Wahisemwo kumvira umuhamagaro w'Imana, wemera guhinduka, urasenga, uritanga, uyikorera ubikunze, none Imana iravuze ngo « uri umukunzi wanje » ico Imana igusaba uyu musi ni ugukura umutima kuri ivyo vyose vyo mw 'isi vyahora bikubera inyungu, ukemera umuhamagaro w'Imana mu gikorwa cayo. Ugusenga biragushikana mu bwiza bwayo.

**Bible lessons.** **Lesson 19** **BECAUSE OF THE FAMINE, ABRAHAM LIES.**

**Genesis 12:10-20**

**Memory verse: "No temptation has taken you except what is common to man. God is faithful, who will not allow you to be tempted above what you are able but will with the temptation also make the way of escape, that you may be able to endure it." 1 Cor. 10:13**

**INZARA ITUMYE ABURAHAMU KUBESHA**

Itang.12 : 10-20

Icirwa ca 29

Ijambo ngenderwako : « ***Ariko Imana ni iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora,ariko hamwe n'ikibagerageza izobacira icanzo kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira*** » **1 kor. 10:13**

**I. Intangamarara.**

Aburama yahamagawe afise imyaka 75, Sara afise 65 ajana na mukiwe na Loti umwishwa wiwe n'ivyiwe vyose. Nticari igikorwa coroshe umwe wese arazi ingene bigoye kwimuka ahantu wri ukunze, kuri Aburamu we, n'uko Uhoraho yari yamuhaye umugore bikwiranye nayo ahandi ntiyari kumwemerera ivyo avuga ngo yabwiwe n'Imana.

**II. Inzara itera.**

Ubu rero inzara irateye aho Aburamu yarungitswe kuba, Uhoraho acacura umunezero wa Aburamu mu kureka inzara igatera aho yari yamusavye kuja kuba. Aca ahitamwo kuja kuronderera ubutabazi muri Egiputa. Iyumvire ico kigeragezo c'ikiza c'inzara mugihugu utabayemwo. Mbe wewe uvyifatamwo gute igihe inzara mu muryango wawe yama kurugi ? abenshi baca baduza amaboko bagashibura n'agakiza bakiriye ikibazo babaza Imana ni : « Mana isezerano ryawe riri hehe ? »

**III. Ubwoba bwa Aburamu**

Sara yaboneka akiri n'ubwiza bwo kwipfuzwa n'umwami wese kandi na Aburamu yarabibona koko. Ryari ishurwe rigezweho. Bari hafi yo gushika muri Egiputa, asaba mukiwe ko yiyemeza ko ari mushikiwe kugira niyo bamushima, ahebe bamutware ariko ntibamwice.

Biboneka ko Aburahamu yabivuze apfukamiye umugore asaba atakamba. Koko cari ikinyoma kuri 50% kuko yari mushikiwe. ***Itang.20 :12.*** Ubu bwari uburyo bwingene abaho batomwica.

Iyi yamye ari imigenzo kera igihe cose umwami w'umupagani w'aba Farawo yaba yagomwe umugore wuwundi muntu, uwo yaricwa, umwami akamushikira***.*** Kubera ivyipfuzo vy'umubiri. yemera kwikora ku migenzo ya gipagani ngo ashikire ivyo kurya. Yavyifashemwo nabi.

**IV. Igikomere Co mu mutima**

Umurongo wa 15. Abishikira ba Farawo bamubonye baramumushimira kandi baramujana aramurongora. Uko vyari biteguwe, aha Sara yarajanwe aho ategurwa kumara amezi 12 kugira ahabwe Farawo. Kubera ko batari bwaronke n'umwana, Aburamu yagumye yigunze mw'ihema wenyene. umunezero urashira yibaza ko vyukuri ari Imana yo mw'ijuru yamubwiye kuva mu gihugu ciwe.Akaba ariyo naho, yemeye gute ko inzara itera i Kanani igatuma aja muri Egiputa none bakaba bamutwaye urubavu rwiwe ?

Abiwabo bavyumva, kwari kumutwenga ngo : « awa, reka ubone, irakumaramaje sha,..». Farawo nawe ati : « warakoze bwana Aburamu kuza muri Egiputa no kumpa uyu mushikawe. Ni mwiza sha. » iyumvire ingene Sara yamva igikomere igihe yariko arategurwa nk'inkumi n'inkone z'Umwami ngo agire ubukwe nawe. Nta n'umunezero yabikorana. Kubana nuwo atigeze akunda.Ntiyabuze kwicuza icatumye yemera igisabo c'umugabo wiwe.

Aburamu yavuze ikinyoma gito, avuga ukuri guto, abura aho ahagarara. Ntiyakanye canke ngo abire. **Ivyak.3 :16**. Bimuviramwo kwicuza no kuba yaripfuje kuba yarapfuye atabonye ivyo vyogo. Icari gikenewe ni uko Aburahamu yociye ahaguruka akaja kwa Farawo akumubwira ati : « Narabeshe, Sara ni umugore wanje mumpe ubu nyene ndetse ndihanye » aha yaba ahaye umwanya Imana ikikorera. Ariko ko yashatse kwironderera inyishu akoresheje ikinyoma vyari ngombwa ngo yicwe n'agahinda ko mu mutima. Nubu abenshi niko bameze baronderera inyishu mu kwiyaranja bibakomereye ntibemera kwihana mu kuri. Ariko akenshi bibaviramwo akarambaraye.

**V. Ivyizigiro bigaruka mu rugo**

Umurongo 17-20. Farawo ati : « kubera iki wampenze ? » kubera iki utambwije ukuri yewe Aburamu ? abonetse abaye umunyavyaha imbere y'Abanyagiputa kandi yabwiwe ko ari muri we hazova ubwoko bw'Imana. Iyo hatihagurukira Imana gutabara, Aburamu aba yapfanye agahinda yatewe nukuvuga ikinyoma.

Nta rupfu rwaruta urwo. Farawo ati : Tora umugore wawe ugende. N'isoni n'ubumaramare,atora mukiwe basubira i Kanani aho Imana yamusavye kuja kuba.

**VI. Ingaruka z'icaha ca Aburamu**

1. Yatakaje umugisha : iyo arekera Imana umwanya ngo yiyerekane, aba yabaye umunyamugisha koko kuko yaba ahesheje icubahiro Imana. Yarabikoze kukiyaga gitukura kuri Mose **Kuv. 14 :16**, kuri Eliya **1 Abam. 18 :38**, mu gihe c'intumwa **Ivyak. 12 :8-12,….**
2. Yabikuyemwo ubutunzi bwatumye yamana amatati n'umwishwa wiwe loti. **Igice ca 13.,** abura n'intahe nziza mu banyavyaha.
3. Igihe yava muri Egiputa, niho Sara yakuye incoreka yitwa Hagayi, yavyaye Isimayeri ubwoko bw'abarabu bwabereye abansi b'Abana ba Israyeri kugera nubu.

**VII. Gushira mu ngiro**

Ntuzotanganzwe n'inzara iteye urugo rwawe ngo wiyumvire ko Imana atariyo yaguhamagaye mu mu murimo wayo. Nabandi vyarababayeko ariko barihangana baguma mu muhamagaro kandi baranesha.

Ntuze wigere wihebura mugihe utewe n'ivyago ngo wipfuze gufatanya na Satani mukwifashisha ikinyoma. Imana irahari izogucira icanzo.

Nkuko ataho sara yigeze atuka umugabo kubwo ibibi yamukoreye kubera ubwoba, niko nawe udakwiye guhora utoteza uwo mubana kuvyamushikiye igihe yari yagiye mu ntege nke. (yarigeze kurenga ibigo, kwiba arafatwa, guhombesha ubutunzi bw'umuryango,….) iyo vyamushikiye nyuma akihana , nawe usabwa kumuharira naho atoba yaragusavye imbabazi icese.

Nkuko Imana itataye Aburamu kubera yavuye aho yamutumye akigira muri Egiputa agakorerayo icaha kibi, niko natwe atwihanganira muntege nke zacu, tumwizere muri vyose ntazemera ko tugeragezwa nivyo tudashoboye kwihanganira, mu bizoba vyose azoducira icanzo. Ntiwovyishoboza, bigusaba gusenga.